Ririmba ururirimbo ruvuga ivy'ukutagira ubwoba

Soma Zaburi 27:6. Dawidi yarakunda umuziki, kandi yarakunda gushemeza Yehova mu kumuririmbira. Nyinshi mu ndirimbo yariririmba zaramufasha kutagira ubwoba. Kuza uraririmba na wewe birashobora kugufasha kutagira ubwoba!

Soma amajambo y'ururirimbo ruvuga ngo "Nuduhe ubutinyutsi." Ni imvo izihe dusanga muri uru ruririmbo zikwiye gutuma tutagira ubwoba? Gerageza gufata ku mutwe urwo ruririmbo, hanyuma wimenyereze kururirimba n'umuryango wawe.

KAZINGEMWO KUBIRI



URURIRIMBO RWA 73

Nuduhe ubutinyutsi

(Ivyakozwe 4:29)

1. Igihe tuvug'Ubwami,
Har'abatubabaza
Bakaturwanya bashaka
Ko botumaramaza.
Aho gutiny'abantu,
Mana, ni wewe twumvira.
Duh'impwemu yawe, Yehova.
Ni wewe dutakambira.

(ICITABIRIZO)

Mana, duh'ubutinyutsi
Twame twakwamamaje.
Duh'umutima rugabo
Bumv'ingen'utangaje.
Harumagedon'iraje
Gukurah'iyi s'ishaje.
Mana, duh'ubutinyutsi.
Dutabare!

2. Kuber'intege nke zacu,
Twotekerwa n'ubwoba.
Wew'uraduhumuriza
Yukw'ata co tuzoba.
Rab'abo baturwanya,
Kukw'ari we dutabaza,
Tukuvugire tudatinya,
Twame tukuninanahaza.

(ICITABIRIZO)

www.jw.org © 2016 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania